Amasomero-hwaniro ku myaka itandukanye: Ibimenyeshejwe abavyeyi n' abarezi

Amasomero-hwaniro ku myaka itandukanye ni iki?

Amasomero-hwaniro ku myaka itandukanye agizwe n'abanyeshure bava mu mugwi w'abanganya imyaka. Ayo masomero ashobora kugirwa n'abanyeshure biga ibitandukanye.

Urutonde rw'Ivyigwa muri reta y'i NSW bitunganijwe kuri izi nzego:

Urwego ntangamarara rwa1: Abimenyereza

Urwego 1: Umwaka wa 1 n'umwaka wa 2

Urwego 2: Umwaka wa 3 n'umwaka wa 4

Urwego 3: Umwaka wa 5 n'umwaka wa 6

Abanyeshure biga hisunzwe indinganizo y'ivyigwa ihwanye na bo, baba biga mu myaka itandukanye canke bafise imyaka imwe. Nk'akarorero, umunyeshure wo mu mwaka wa 2 mw'isomero rya 1/2, yiga umwaka wa 2 mu ndinganizo y'Ivyigwa (Urwego rwa 1), nk'uko n'umunyeshure wo mu mwaka wa 4 mu masomero ya 4/5/6 yigira mu ndinganizo y'Ivyigwa vy'umwaka wa 4 (Urwego rwa 2).

Ni kuki ishure umwana wanje yigako ryogirwa n'amasomero-hwaniro y'imyaka intandukanye?

Amasomero-hwaniro y'imyaka itandukanye aragwiriye mu mashure yo muri Ostraliya kandi ashobora gushirwaho ku mvo zikurikira:

- **Ibifatirwako mw'iyandikwa** – imigwi yisunga imyaka ihindagurika uko umwaka utashe. Amasomero y'imyaka itandukanye afasha amashure gushiraho amasomero anganya ibitigiri.
- **Inyungu zerekeye indero** – amashure ashobora gushiraho indinganizo z'ayo masomero kubwo inyungu ashobora gutanga mu bijanye n'indero n'imibano.
- **Amashure Matomato** – amasomero y'imyaka itandukanye arasanzwe ahantu hari bake canke amashure y'inyuma y' igisagara, bifasha kwuzuza amasomero.

CC BY

Ni gute abanyeshure bashirwa mw'isomero-hwaniro y'imyaka itandukanye?

Abayobozi n'abigisha barafata ingingo yo gushira abana mu masomero bafatiye ku bikurikira:

- Ubushobozi bwo kwiga n'umwete vy'umunyeshure.
- Ugushira hamwe abanyeshure kubayeho kw'ishure ryose.
- Igereranywa ry'inkomezi, ivyo umunyeshure akunda n'ivyo akeneye mu kwiga kwiwe.
- Ukuroranirwa n'ubugenzi bushingiye ku mibano.
- Ukugenda neza kw'inyigisho hisunzwe indinganizo y'ivyigwa.
- Itunganywa ry'ukwuzurizanya n'ugushigikirana mu masomero.

Ugushirwa mu masomero gukorwa ku neza ntangere y'abanyeshure mu gushigikira ukwiga kwabo. Ugushirwa mw'isomero-hwaniro ry'imyaka itandukanye **ntirisobanura** ko umunyeshure arengeye canke ari munsi y'ivyitezwe hisunzwe integuro y'ivyigwa

Ukwiga kumeze gute mu masomero-hwaniro y'imyaka itandukanye?

Abigisha bategura ukwiga bakoresheje integuro rusangi y'ivyigwa ya reta ya NSW kandi baroranya inyigisho ngo bafashe abanyeshure mu vyo bakeneye. Ivyo vyitwa **ukwuzurizanya** (**differentiation**) kandi birakorwa mu masomero yose kubera ko abanyeshure batahura ku rugero rutandukanye.

Mw'isomero-hwaniro ry'abafise imyaka itandukanye, abigisha bakoresha ubuhinga butandukanye ngo bashigikire iterambere ry'ubumenyi bw'abanyeshure. Ubwo buhinga bushobora kuba:

- kwigisha abanyeshure bose bari hamwe mu bikorwa bimwebimwe
- gukorera mu migwi mito mu myimenyerezo imwe-imwe y'ukwiga
- ukwuzurizanya mu kwiga ngo habeho ugukáburana n'ugushigikirana
- guhinyanyura imyimenyerezo, ibikoresho canke uburyo abiga baseruramwo ugutahura kwabo.

Inyishu z'ibibazo vyawe

Ubwo ukwitwararikwa n'umwigisha kw'umwana wanje ntikuzogabanuka?

Indinganizo y'isomero si yo igena ukwitwararikwa umunyeshure ahabwa. Abigisha bategura ivyigwa bazi ko abanyeshure bari ku ngero zitari zimwe z'ugutahura, nk'uko biba bimeze no mu masomero y'abanganya imyaka.

Mbega umwana wanje azosubirirwamwo imyimenyerezo bari barakoze?

Abigisha barakurikirana iterambere ry'umunyeshure bakanaryisunga bariko barategura ivyigwa. Abanyeshure bazokomeza kwiga ibihwanye n'integuro y'ivyigwa ku rugero rwabo kandi bazoshigikirwa ngo batahure ukwiga gushasha.

Mbega umwana wanje azosubira kubona abagenzi biwe?

Ishure ririsunga ubugenzi mu gutunganya amasomero. N'abanyeshure barashobora kubana n'abagenzi babo mu myanya y'akaruhuko no mu bikorwa bihuza ishure ryose.

Mbega amasomero ku myaka itandukanye azogira ingaruka ku buryo umwana wanje yigishwa?

kworohereza bose kandi bahinyanyura inyigisho hisunzwe ugutahura, ukubazwa, inkomezi n'ubukene vy'abanyeshure. Ibi bibaho mu bwoko bw'ishure ubwo ari bwo bwose.

Mbega umwana wanje azoronka akaryo ko kwunguka canke kubazwa neza uko bikwiye?

Amashure yose yo muri reta ya NSW arashigikira abanyeshure b'incabwenge n'ikerebutsi karuhariwe mu gisata c'Inyigisho Zigenewe Incabwenge n'Abanyempano Karuhariwe. Abigisha bararondera inkomezi z'abanyeshure kandi bagategura ubuhinga bwisumbuye bwo kubafasha. Ibi bibaho mw'isomero iryo ari ryo ryose. Ugushirwa mw'isomero-hwaniro ry'abafise imyaka itandukanye ntikuzitíra ayo mahirwe.

Abanyeshure bagendana ubumuga bafashwa gute muri ayo masomero-hwaniro y'imyaka itandukanye?

Abanyeshure bagendana ubumuga barashigikirwa ngo bunguke ubumenyi mw'isomero iryo ari ryo ryose, hatibagiwe n'amasomero-hwaniro y'imyaka itandukanye, haba mu mwanya udasanzwe w'icigwa canke mu gihe c'imyimenyerezo. Abigisha barageraageza kumenya inkomezi, ibikenewe n'intumbero z'umunyeshure uwo ari we wese, bagakoresha ubuhinga bw'ukwuzurizanya, gufashanya n'ukumwigisha n'ukumushigikira wenyene iyo bikenewe, ngo bafashe umwe wese kumenya. Izi ngingo zifatirwa hamwe n'abandi banyeshure iyo bikenewe, hamwe n'abavyeyi, abarezi n'abakozi b'ishure bakenewe. Ugushirwa mw'isomero-hwaniro ry'imyaka itandukanye ntiguhindura impinyanyuro z'ugushigikirwa kw'umunyeshure ukwîwé.

Mbega ubushakashatsi buvuga iki?

Ukwigisha kw'akanovera ntangere kuri n'ingaruka zihambaye kw'iterambere ry'ukwiga kw'umunyeshure, kukaba ngirakamaro kurusha uburinganire bw'isomero, abagize isomero n'ibindi bikoresho. Ubushakashatsi bwerekana ko abanyeshure bari mu masomero-hwaniro y'imyaka itandukanye baronka umwimbu ndorabumenyi usa n'uwo abanyeshure biga mu masomero y'abanganya imyaka baronka mu gihe inyigisho iteguwe neza n'abanyeshure bagashigikirwa mu buryo bukwiye. Amasomero-hwaniro ku myaka itandukanye ashobora n'ugushigikira abanyeshure ngo yorohereze ugufashashanya, ukwitwararikana n'imigenderanire myiza mu runganwe rw'abafise imyaka n'ubushobozi bitandukanye.

Guhabwa ubufasha bw'umusobanuzi kuri telefone

Ni waba ukeneye ayandi makuru, igore uhamagare umuyobozi w'ishure. Ni waba ukeneye umusobanuzi yogufasha mu vyo usaba, igore uhamagare ku Nomero itanga ubufasha mu nsobanuro kuri 131 450 uheze usabe umusobanuzi mu rurimi rwawe. Bwira umuhinga azokwitaba inomero ugomba guhamagarako maze uwo muhinga azokuronsa umusobanuzi aho ku murongo agufashe mu kiyago. Ntuzorihishwa kuri ubwo bufasha.